# 39: Ngwino, mutima wanjye

1. Ngwino, mutima wanjye, Witab' Umwami wawe ! Winjir' umuhakweho, Kukw akund' abaz' i We.

2. Kw ar’ Umwam' ukomeyc, Wamusaba bike, se ? Ubushobozi n' ubwe, N'ubuntu n'imbabazi.

3. Mbanze nsab' imbabazi, Kuko nakugomeye. Umutwaro w'ibyaha, Dor' ubury' undembeje !

4. Amaraso wavuye, Uri ku musaratia, Yoz,'abakiranirwa, Nukw anyoz' ambpneze.

5. Unduhure nonaha, Ndakwihay' unturemo! Wanshunguj' amaraso, Nukw unyitegekere!

6. Mu rugendo rw'iyi si, Mb' intumwa ya Krisito, Ahw ashak' antumeyo, Nkuz' izina rya Yesu !

Visit us at burundi.indirimbo.com